**ITANGAZO RISHIKIRIJWE N'UBUSHIKIRANGANJI BWO KUBUNGABUNGA AMAGARA Y'ABANTU NO KURWANYA SIDA KU VYEREKEYE IKIZA CA CORONAVIRUS CATEYE MU GIHUGU C'UBUSHINWA**

Uburundi nk'ibindi bihugu vyo kw'isi, bwarafashe ingingo zo gukingira abenegihugu, kandi n'izindi ngingo zigiye gufatwa.

Ari naco gituma Leta y'Uburundi ibicishije mu Bushikiranganji bwo kubungabunga amagara y'abantu no kurwanya sida, imenyesheje ibi bikurikira :

1. Abavyeyi bafise abana biga mu gihugu c'Ubushinwa n'abandi bose bafise incuti ziba mu gihugu c' ubushinwa, basabwe ko batokwihutira kubatahana kubera ko Leta y'Ubushinwa yemeye kubatunganiriza no kubakingira ico kiza iyo basanzwe baba.

2. Mu ntumbero y'ugushobora kubakwirikirana no kubatunganiriza neza iyo bari mu gihugu c'Ubushinwa, abavyeyi bafise abana biga mu bushinwa, be n'imiryango ifise ababo mu Bushinwa, basabwe kuza mu Bushikiranganji bwo kubungabunga amagara y'abantu no kurwanya sida, kuva kw'igenekerezo rya 19 ruhuhuma 2020, kugirango bashikirize imyidondoro y'ababo, amashure bigamwo, n'ibisagara babamwo mu Bushinwa.
   Ivyo bikazofasha kugirango Leta y'Uburundi ifadikanije na Leta y'Ubushinwa babakurikirane vyoroshe kurusha.

3. Ku vyerekeye abamaze gushika mu gihugu bavuye mu Bushinwa, basabwe gukwirikiza neza impanuro abajejwe amagara y'abantu babatekereye bagishika hamwe n'izo bagiye kubandanya baronswa.

4. Tukaba turangije duhumuriza abenegihugu ko kuva ico kiza giteye mu Bushinwa, y'uko ata muntu n'umwe afise ikimenyetso c'ico kiza ca coronavirus araboneka mu gihugu cacu c'Uburundi.

5. Vyongeye turasaba abenegihugu bose y'uko ingendo nziza yo kwikingira indwara ya Coronavivus tutibagiye n'izindi ndwara zitari nke ari ugukurikiza ya mabwirizwa cumi y'isuku, na cane cane ugukaraba n'amazi meza n'isabune.

Bigiriwe i Bujumbura, k'uwa 18 Ruhuhuma, 2020

Umushikiranganji wo kubungabunga
amagara y'abantu no kurwanya sida

Dr Thaddée NDIKUMANA

REPUBLIQUE DU BURUNDI
Ministère de la Santé Publique et de la Lutte Contre le SIDA
Cabinet du Ministre
B P 1820
BUJUMBURA

18 - 02 - 2020

**Communiqué de presse du Ministère de la Santé Publique et de la Lutte contre le Sida en rapport avec l'épidémie à CORONAVIRUS qui sévit en Chine**

A l'instar des autres pays du monde, le Burundi a pris des mesures de prévention contre la maladie à CORONAVIRUS qui sévit en Chine et d'autres mesures vont être prises.

C'est dans cette optique que le Gouvernement du Burundi, à travers le Ministère de la santé Publique et de Lutte contre le Sida, communique ce qui suit :

1. Il est conseillé à tous les parents ayant des enfants qui étudient en Chine et autres ayant des Parentés en Chine, de ne pas prendre des mesures de rapatriement de leurs enfants ou leurs proches de la Chine, étant donné que le Gouvernement Chinois a pris des mesures de leur prévenir contre le Coronavirus et de les assister là où ils sont.

2. Dans l'objectif de faire un suivi de tous les Burundais résidents en Chine, il est demandé aux parents et proches de ces derniers de se présenter au Ministère de la Santé Publique et de la Lutte contre le Sida à partir du 19 février 2020 pour déclarer leur identification, les écoles fréquentées et les villes de résidence en Chine. Toutes ces informations permettront au Gouvernement Burundais en collaboration avec le Gouvernement Chinois d'assister efficacement ces Burundais résidant en Chine.

3. S'agissant des personnes récemment rentré de la Chine et actuellement présentes sur le sol burundais, il leur est demandé d'observer scrupuleusement les mesures de protection et d'autres mesures qui leur seront communiquées par le personnel soignant du Ministère de la Santé Publique et de la Lutte contre le Sida.

4. Pour terminer, nous portons à la connaissance de l'opinion nationale, qu'à ce jour, aucun cas suspect de coronavirus n'a été identifié dans notre pays.

5. A l'endroit de la Population Burundaise, nous rappelons que la meilleure façon de se prévenir contre le Coronavirus et bien d'autres maladies contagieuses, est d'observer rigoureusement les mesures d'hygiène, notamment le lavage des mains à l'eau propre et au savon.

Fait à Bujumbura, le 18 février 2020

**LE MINISTRE DE LA SANTE PUBLIQUE ET DE LA LUTTE CONTRE LE SIDA**

**Dr Thaddée NDIKUMANA**

REPUBLIQUE DU BURUNDI
Ministère de la Santé Publique et de la Lutte Contre le SIDA
Cabinet du Ministre
B P 1620
BUJUMBURA

18-02-2020